REPUBLIKA Y'UBURUNDI

# AMASEZERANO Y'UBUMWE BW'ABARUNDI

Bujumbura, 5 Ruhuhuma 1991

R E P U B L I K A  Y'U B U R U N D I

# A M A S E Z E R A N O  Y'U B U M W E
# B W' A B A R U N D I.

Bujumbura, 5 Ruhuhuma 1991.

REPUBLIQUE DU BURUNDI

CABINET DU PRESIDENT

---

DECRET-LOI N°1/..002... DU.9.FEVRIER 1991 PRENANT ACTE DE L'ADOPTION DE LA CHARTE DE L'UNITE NATIONALE PAR LE PEUPLE BURUNDAIS.

LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,

Vu le Décret-Loi n°1/031 du 24 octobre 1988 portant organisation des pouvoirs législatif et réglementaire ; spécialement en ses articles 1 et 2 ;

Vu le Décret n°100/177 du 31 décembre 1990 portant convocation des électeurs pour le Référendum sur le projet de la Charte de l'Unité Nationale ;

Vu les résultats définitifs du scrutin tels que proclamés par le Président de la Chambre Constitutionnelle de la Cour Suprême ;

Considérant que ces résultats montrent que la Charte de l'Unité Nationale a été largement approuvée par le peuple burundais ;

<u>ARTICLE UNIQUE</u> : Prend acte de l'adoption de la Charte de l'Unité Nationale dont le texte original est annexé au présent Décret-Loi.

Fait à Bujumbura, le 9 Février 1991.

Pierre BUYOYA

PAR LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE

MAJOR.

LE PREMIER MINISTRE ET MINISTRE DU PLAN

Adrien SIBOMANA.-

LE MINISTRE DE LA JUSTICE,

Evariste NIYONKURU.-

VU ET SCELLE DU SCEAU DE LA REPUBLIQUE
LE MINISTRE DE LA JUSTICE,

Evariste NIYONKURU.-

ABARUNDI TWESE,

Twishimikije ishaka ntangere dufise ryo kwubaka igihugu c'ubumwe, kirangwamwo amahoro n'umutekano, giharanira iterambere rya bose, kigendera intahe n'ijambo mu ntwaro rusangi, giharanira ubutungane kuri bose, kikubahiriza zina muntu, igihugu gifise izina mu makungu ;

Twihweje ingene ba sokuru bubatse igihugu bakagiha izina, bakakirarira, bagatunganya intwaro ishimikiye ku bumwe, bakaturaga igihugu cifashe, tukaba tubakuriye ubwatsi ;

Kubera ko Uburundi ari igihugu camye gisangiwe n'Abarundi bose, b'ubwoko bwose, b'intara zose, b'imiryango yose ;

Kubera ko twemera ko Ubumwe bw'Abarundi bwamyeho, ko naho bwatosekaye n'ubu bukiriho kandi buzokwamaho kuko Abarundi dufise ishaka ryo kubunagura no kubutsimbataza ;

Kubera ko twemera ko Ubumwe bw'Abarundi ari ryo tunga risumba ayandi yose ba sokuru baturaze, itunga ridasumwa kandi ridashumbushwa;

Kubera ko dufise ibanga rihambaye ryo kubungabunga n'ukurwanira iryo ragi kugirango na twe tuzorage Uburundi bw'ejo igihugu kizima, cifashe kandi gishemeye ;

Dukubitije agatima ku makuba igihugu caciyemwo cane cane aho cikukiriye biturutse ku Barundi bahahamiye amaronko bitwaje amacakubiri, abonse rimwe bagasubiranamwo, bakikekana, bakaryana gushika naho amaraso y'abavukagihugu asesekera ubusa, abana b'Uburundi bakangara ;

Twihweje akabi ayo macakubiri yasize mu gihugu, ibintu bikayogera, abantu bagacika inkokora, Uburundi bukama busubira mw'ihumbi ;

Twihweje ingene ayo makuba yartyoje igihugu akacambika iceyi mu makungu ;

Twihweje ingene abitwaza amacakubiri bafatira ku mazimwe ataha-ndi ahagaze atari ugushaka kwigungirako ivy'igihugu ;

Ariko twihweje kó naho Ubumwe bw'Abarundi bwatosekaye butigeze bugirira kubera ko bwari bushingiye ku mizi ishika kure ;

Kubera kandi ko Abarundi twese twababajwe n'umuryano, dushaka kuvavanura n'amacakubiri ubutacisubirako, maze tukubaka igihugu kirimwo uburaro n'uburamuko bwa twese, ata gusobanurana, ata gukumirana, igihugu c'amahoro n'ubumwe, kizira ubugunge, akarenganyo n'agahotoro ;

Kubera ko Abarundi twese tunyotewe amahoro n'umutekano, dushaka kwubaka igihugu gishingiye ku bumwe bw'abavukagihugu bose, kandi twemera ko ubwo bumwe ari yo nkingi ntanyiganyizwa Uburundi buzokwama bushimikiyeko :

Kubera ko dushaka guharanira agateka ka zina muntu kugirango uwo wese aba mu Burundi ashobore kwishira no kwizana, yubahirizwe, atunge atunganirwe ata nkomanzi ;

Kubera twemera ko urugamba rw'uguharanira ubumwe ari urugamba rw'iteka ku Murundi wese, ko tuzorurwana kandi tuzorutsinda, maze Uburundi bwame ari igihugu c'amata n'ubuki, kirangwamwo inama n'ingingo, twese dufisemwo uburaro n'uburamuko, igihugu tuzoraga abana n'abuzukuru ;

Kubera ko dushaka kwifatanya n'abo bose baharanira agateka ka zina muntu, tukaba kandi tutohara mu rugamba rw'ukubungabunga n'uguhara-nira amahoro kw'isi ;

..../...

DUPFUNDITSE AYA MASEZERANO NTABANDUKA :

Ingingo ya mbere : Turemeza ko Ubumwe bw'Abarundi bwamyeho kandi buzokwamaho.

Ubwa mbere : Uburundi camye ari igihugu cifashe, cubatswe n'Abarundi bo nyene.

Kuva Uburundi bwitwa Uburundi, Ubumwe bw'Abarundi bwamyeho. Abanyamahanga bagisanze ari igihugu cifashe, kiramutswa intahe n'abagabo.

Uburundi bwamye busangiwe n'Abarundi bose, b'ubwoko bwose, b'imiryango yose. Nta ntara canke umutumba vyigeze bigenerwa ubwoko kanaka canke umuryango kanaka.

Abarundi bamye barwanira Uburundi. Uburundi butewe n'umwansi, zina murundi wese yaramera magabo akitaba urugamba rwo kurwanira igihugu c'amavukiro, mbere n'ukucigura akacigura, kugirango kigumane izina n'intahe. Icazira kikaziririzwa, kwari uguhemukira Uburundi.

Ubwa kabiri : Abarundi bamye basangiye imico n'imigenzo.

Abarundi basangiye imigenzo kama igenga ubuzima bw'abanyagihugu bose, mu bwoko bwose, mu mihingo yose, bavuga ururimi rumwe : ikirundi. Bose bamye bambaza Imana imwe.
Ibiringo bikuru bikuru mu buzima bw'Abarundi, nk'ukwibaruka, ukwubaka, ugusezera abitavye Imana vyahimbazwa bakurikije imigenzo imwe, imanza zijanye na vyo bakazimarira hamwe.

Mu kibano, bose bisunga ibanga ry'ubushingantahe ari naryo bishimikiza mu gutunganya ivy'igihugu. Bose baremera intahe, bakayisonera kandi bakayubahiriza.

Intambo, imvyino, ibikino ndangamico, n'ivyo vyose bishika ku nyota Abarundi mu migenzo yabo, biri mu mihingo yose y'igihugu, kandi Abarundi bose barabisangiye bakavyiyumvamwo ko ari akaranga kabo.

.../...

Ubwa gatatu : Abarundi bamye babana, bafashanya, bashingiranira.

Kuva na kera na rihdi, Abarundi bamye basangiye ugupfa n'ugukira, bamye bikingira ikiza n'impanuka bafatanye mu nda, bagasangira akabisi n'agahiye. Abarundi bamye bahana abageni, bakagenderanira, uwufise ufubanza urwo ari rwo rwose bakamuterera. Ivyo vyose bakabigira batisunze ubwoko, umuryango canke intara kanaka.

Ubwa kane : Abarundi barafatanye mu nda, mu kwiganzura ba kavamahanga, baronkera hamwe intahe y'ukwikukira.

Mu kwikurako ako gacinyizo, Abarundi bose bahagurukiye rimwe bararemesha urugamba, bariganzura uwari abahagaze ku gakanu, barikukira. Intahe y'ukwikukira yaronse Abarundi bose ata bwoko, umuryango canke intara vyidohoye.

Ubwa gatanu : Ubumwe bw'Abarundi ni inkinzo nkuru yamye ikingira Uburundi mu makuba yose bwaciyemwo.

Mu vyago Uburundi bwagize, cane cane mu myaka yakwirikiye ukwikukira, twahabonye Ubumwe. Igihe Abarundi bamwe bamwe bahahamira ubutegetsi n'amaronko, bakabirondera baciye mu nzira z'ubwicanyi, z'agahotoro n'ubugunge, Abarundi benshi bamye bafatana mu nda, bakarwanira igihugu mu bumwe, ari na co gituma Uburundi bwamye buca mu macumu bukogorora.

Vyongeye mu gihe cose Ubumwe bw'Abarundi bwatosekazwa n'inyifato y'Abarundi bafise agatimatare ko kwihora, ko kugera ingere ku yindi no kujaniranya mu caha abasangiye ubwoko canke impinga, Ubumwe bw'Abarundi ni bwo bwatumye Uburundi busimba imanga.

Ubumwe bw'Abarundi rero bwamyeho, kandi buzokwamaho kuko si ubwomekerano. Ni bwo bwatunze Uburundi.

.../...

n'ubu n'ejo n'ejo bundi, buzoguma ari yo nkinzo ikingira igihugu kuko Abarundi twese dushaka kandi twemeye icese kubuteramira n'ukubu-rwanira.

Tukaba dusezeranye kuvavanura n'ivyo vyose biza bivangura Abarundi, tukisunga imigenzo ijanye n'ubumwe, tukongera tugatunganya ivy'igihugu mu nzira y'ubumwe.

Ingingo ya kabiri : Turavavanuye n'inyifato y'amacakubiri iyo aturutse hose.

Abarundi twese turamaze kubona ko inzira y'amacakubiri itubaka: ni inzira ataho ishikana, yama na ntaryo isambura.

Ni co gituma duhakanye icese, ubutacisubirako, amacakubiri ayo ari yo yose, yaba ayamaze gushikana Uburundi ku manga afatiye ku moko, ku mamuko canke ku miryango yaba ayandi yose yoza avangura Abarundi.

Ubwa mbere : Dusezeranye kurwanya n'ugutuza ubwicanyi kandi turahakanye guhonya abandi no kugera ingere ku yindi.

Ubuzima bw'umuntu ni itunga riruta ayandi yose. Nta mvo n'imwe umuntu uwo ari we wese arekuriwe kwitwaza kugira ngo asinzikaze canke azimanganye ubuzima bw'uwundi.

Turahakanye rero ko ubwicanyi buba inzira y'ugushikira intwaro, canke y'ukuyizizira.

Turanahakanye kugera ingere ku yindi kuko vyongera ikibi mu kindi. Kukaba nkako, ntidushobora kwubakira kazoza ku caha n'inzigo, twoba turiko turacira icobo Uburundi bw'ejo.

Turahakanye twivuye inyuma inyigisho canke ivyiyumviro bifatiye ku bwicanyi, n'intwaro zoza zivyishimikije.

..../...

Turahakanye ko amaraso y'abanyagihugu asubira kusesekera ubusa. Twiyemeje kurwanya abo bose bahiga kwica, uguhonya abandi n'ukugera ingere ku yindi, kuko ata Murundi n'umwe baronderera ineza.

Ubwa kabiri : Turemeranije kudakingira ikibaba abo bose bitwaza amacakubiri afatiye ku moko, ku ntara, ku miryango n'ibindi.

Abitwaza amacakubiri ntibashobora guharanira ineza y'igihugu, bagenzwa n'agatima ko kwikunda birenze urugero. N'abo boba basangiye ubwoko, intara, umuryango canke ibindi, babikwegerako ngo babashigikire mu caha, igihe ataco bakibamariye, ntibasubira kubaraba n'iryahumye. Kanatsinda ntawugira umukunzi ku mukunzi w'inda.

Ni co gituma Abarundi duhakanye kujana nyabahururu mu gukwiza ibinyoma no mu gukingira ikibaba ba gateranya : turahakanye ko bodutesha ubuntu, ngo tubabere ibikoresho muri ubwo bubisha baterwa n'igihababu c'amaronko. Ntitwobashingira intahe tudasangiye urugamba.

Ubwa gatatu : Turahakanye kujaniranya.

Amacakubiri yama akumira agasobanura abantu mu bandi, akajaniranya ikivunga, akavyara agatimatare ko guhonya inganda no kwihora.

Abantu bakazira ubusa bahorwa icaha coba cakozwe n'abo boba bafitaniye isano, inkoravyaha n'intungane zigahekeranywa.

Turahakanye rero ko ubwoko, intara, imiryango..., vyoremekwa icaha canke ngo vyiyitirire ko vyisangije ubuhizi.

Turahakanye ko umuntu yohorwa umukeko canke inabi yakozwe n'uwundi ngo n'uko hari ico basana .Icaha gitegerezwa kwagira uwagikoze, akagihanirwa biciye mu butungane.

.... / ...

ℓ

Turemeje kandi ko umuntu akwiye gushimirwa ubwenge, ubutwari n'ubukerebutsi bigaśhimirwa uwabigaragaje.

Ubwa kane : Dupfunditse kurandurana n'imizi ivyiyúmviro vy'ugushigikira intwaro zishingiye ku macakubiri.

Uburundi si ihuriro ry'amoko atagira isano : si akagwi k'imitumba ihereranye gusa. Ni igihugu c'abantu basangiye ugupfa n'ugukira, bazeye uburaro n'uburamuko ku muvyeyi umwe : Uburundi.

Ni co gituma ata ntwaro ishimikiye ku moko, ku ntara, ku miryango no ku yandi macakubiri ishobora kwubaka Uburundi. Intwaro nk'iyo ihakana akaranga k'Umurundi igasambura Uburundi mu gusobanura abanyagihugu. Vyongeye ntiyubahiriza iteka rya zina muntu canke ry'umunyagihugu wese. Turahakanye rero abo bose bishimikiza, n'aboza bishimikiza ivyiyumviro vy'ugushinga, gushigikira canke kwisunga intwaro nk'izo.

.... / ....

Ingingo ya gatatu : Twiyemeje kutabanduka ku migenzo ijanye n'ubumwe.

Kuvavanura n'amacakubiri ntivyoba bikwiye, hamwe tutobishira ahabona ngo twemeże icese kwisunga mu vyo tuvuga no mu vyo dukora vyose, imigenzo ijanye n'ubumwe. Ni co gituma twiyemeje kutabanduka ku nyifato zikurikira.

Ubwa mbere : Dusezeranye kwama twubaha kandi twubahiriza ubuzima bwa zina muntu.

Ubuzima bw'umuntu ni akatihabwa. Ikizira kikaziririzwa ni ukubusinzikaza canke ukubunyaga uwundi, uwo ari we wese.

Ubwa kabiri : Turiyemeje kurekuriranira n'ukwizerana.

Ivyago vyashikiye igihugu vyarababaje Abarundi bose, biratera iceyi igihugu, bituma kandi Abarundi batakirabana ryiza. Ivyo na vyo vyaratubereye intambamyi mu kurondera kazoza k'Uburundi n'Abarundi. Nta Murundi ashaka ineza, yobandanya anaga urutoke, ahiga kwihora, kuko "Intibagira ntibana", kandi ngo "Wihora uwawe ukamara umuryango". Ni co gituma twiyemeje twese kurekuriranira, kugiriranira ikigongwe ku vyabaye vyose, kugirango dutangure ubuzima bushasha dufise umutima ugororotse, uzira inzigo n'inzikira.

Ubwa gatatu : Dusezeranye kwama dushira imbere akaranga k'Umurundi.

Umurundi wese yokwiyumvamwo ko ari Umurundi abushitse, vyongeye nta n'umwe ashobora kwemeza ko arusha abandi ako karanga canke ngo akabahakanire.

Turahakanye gushira imbere no kwitwaza amoko, intara canke imiryango.

Twiyemeje kugendera Ubumwe bw'Abarundi no kubuhagarira kuko imbere ya vyose turi bene Burundi.

Ubwa kane : Dusezeranye gufata kimwe bene Burundi.

Turiyemeje gutuza akarenganyo mu gihugu : turahakanye gutambutsa canke gucinyiza abandi kubera ubwoko, intara, imiryango n'ibindi. Vyongeye dutegerezwa gufatwa kimwe mu vyerekeye ubuzima bw'igihugu. Umurundi agatambutswa n'ico amaze kandi amariye abandi.

Turiyamirije urwitwazo urwo ari rwo rwose rwoza rusobanura canke ruvangura abanyagihugu.

Ubwa gatanu : Twishinze guharanira no kubungabunga amahoro n'umutekano.

Amahoro n'umutekano ni yo nkingi y'ubuzima n'iterambere vy'igihugu. Kubungabunga amahoro,ni igikorwa gihambaye, cega zina Murundi. Nta n'umwe akwiye gukumirwa, kwikumira canke kwiyonjorora. Vyongeye amahoro ntagaburwamwo imitigiri. Dutegerezwa kwama tuyaronderera igihugu cose, n'abakibamwo bose.

Ni co gituma twiyemeje kwamirira kure no kurwanya ico cose coza kiyahungabanya, tukama na ntaryo turikanuye, tukazitira tutaronerwa kuko ibanga ryo kubungabunga amahoro ari irya minsi yose.

Twiyemeje kwama na ntaryo twisunga inama n'ingingo, aho gushamirana igihe habaye ibigoye igihugu, maze intahe ibe ari yo yiganza mu Burundi.

Ubwa gatandatu : Dusezeranye kwubahiriza no guharanira ubutungane mu gihugu.

Ubutungane ni inkingi y'amahoro. Umurundi wese akwiye gutungwa n'ivyo yabiriye akuya, akirinda gusahura no kurenganya abandi. Amategeko ategerezwa kwubahiriza umuntu wese, ntihagire uwurenganywa, uwujaniranywa, canke ngo ahahazwe azira ubwoko, intara, umuryango, ubupfuvyi, ubukene canke kuko adafise uwumuserukira.

Abatase bakwiye kwuzurizwa hakwirikijwe intahe n'ukuri. Uwushinzwe ibanga ryo kubatunganiriza, abwirizwa gucisha aho ukuri kuri, ata kuraba nkunzi, kandi ata kwisunga utudendedende duteye kubiri n'intahe.

Vyongeye kurwanira no kwubahiriza ubutungane mu gihugu ni umurimo w'abanyagihugu bose. Ni co gituma twiyemeje kuzokwama twubaha intahe, tukemera kurekura mu gihe turushijwe, tukubaha amategeko, tukemera guhanurwa kandi tukahanura abandi.

Twiyemeje kandi guhagarira ubutungane, tukabuharanira, tukarwanya ivyo vyose bituma butubahirizwa, kugira umuntu wese atunge atunganirwe mu twiwe no mu biwe.

Ubw'indwi : Dusezeranye kwitaho n'ukwamiza imbere ineza y'igihugu.

Uburundi ni bwo twese tuzeyeko uburaro n'uburamuko. Twomenya rero ko ataho twova ngo twishikane, igihe igihugu atako cifashe, tukama tuzi ko tudashobora gutunga ngo dutunganirwe igihugu kidatunganye.

Ni co gituma mu kurondera kwiteza imbere, Umurundi wese yokwama yitwararitse ineza y'igihugu.

Abafise amabanga yo kurongora abandi, na bo bategerezwa kwama bitwararika ineza ya bose, bakama birinda kwikwegerako. Bategerezwa kandi kwama bazi ko amabanga bajejwe, ari ayo bashinzwe n'Abarundi bose, bo bene igihugu, hanyuma bakama bashira imbere mu vyo bakora ineza y'Abarundi bose.

... / ...

Ingingo ya kane : Dusezeranye kutunganya ivy'igihugu
mu nzira y'ubumwe.

Ubumwe mu nyifato ya minsi yose ku muntu wese bukwiye kwuhirwa n'ugutunganya ivyo vyose biraba igihugu mu nzira y'ubumwe.

Ubwa mbere : Itunganywa ry'igihugu mu ntwaro rusangi.

Abarundi turi bamwe, kandi dushaka kwama turangwa n'ubumwe, tukabugendera muri vyose na hose. Ni co gituma intwaro iyo ariyo yose itegerezwa gushingwa mu bumwe, ikongera ikarongora igihugu yisunga ubumwe, ata kuvangura amoko, intara, imiryango, abakuru n'abato, abakene n'abifise.

Dushinze rero ko ata ntwaro n'imwe, ata tegeko na rimwe, ata ngingo n'imwe bihushanye canke biteye kubiri n'inzira y'ubumwe, bishobora kwemerwa mu Burundi. Nta mugambwe n'umwe, nta shirahamwe na rimwe, nta dini na rimwe, nta rwego urwo ari rwo rwose, vyoza vyishimikiza amacakubiri bishobora gushingwa mu gihugu. Amategeko n'amabwirizwa abiraba ategerezwa kwama na ntaryo agenzura ko ibikorwa vyose mu gihugu bijanye n'inzira y'Ubumwe bw'Abarundi.

Ubutegetsi bukomoka ku Barundi ,, bo bene igihugu. Ni bo rero bafise ububasha bwo gushinga ingene igihugu cotwarwa babicishije mu nama n'ingingo, bisunze amategeko. Barafise kandi ububasha bwo gutora abo bishimiye ngo batunganye ivy'igihugu mu nzego no mu mirimo hategekanijwemwo itora.

Umurundi wese arafise ububasha bwo gushikiriza ivyiyumviro vyiwe kuri ivyo vyose vyerekeye igihugu. Nta n'umwe afise uburenganzira bwo kumukumira kandi nawe nyene ntakwiye kwikumira.

Umurundi wese abikwiye arashobora gushingwa amabanga y'ukurongora abandi mu mirimo yose y'igihugu.

... / ...

Umurundi wese yishimikije ico ashobora kumarira Abarundi arafise uburenganzira bwo guhiganwa n'abandi, biciye mu mategeko kugira ashingwe amabanga canke imirimo y'igihugu. Uwurushije abandi akaba ari we yemerwa, uwurushijwe nawe akemera aho intahe ishize.

Mu gihe cose, amategeko n'amabwirizwa biringaniza ivyerekeye gushingwa amabanga y'igihugu, ategerezwa kwama yisunga ineza n'ivyipfuzo vy'Abarundi bose, nabo bakayamenya, bakayubaha kandi bakayubahiriza.

Umutware wese, ku rwego urwo ari rwo rwose, ategerezwa gushingira intahe n'ingingo Abarundi bose, agatwarira Uburundi bwose iyo buva bukagera. Uwo igihugu gishinze amabanga y'ukurongora abandi ategerezwa kuba umuvyeyi wa bose mu mirimo ajejwe.

Mu mvugo no mu ngiro, atagerezwa kwama azi ko ububasha afise n'amabanga ajejwe, ari umurima w'isangi asangiye n'Abarundi bose.

Abatwara bose bategerezwa gusangira ijambo n'abo bose basangiye ibanga, bagakorera ahabona, bisunze na ntaryo amategeko y'igihugu kandi bitwararitse ineza y'igihugu n'abanyagihugu. Vyongeye abanyagihugu bazokwama bamenyeshwa kandi basigurirwa mu buryo butomoye ivyerekeye ubuzima bw'igihugu, nabo bavugire ahabona ibitagenda neza kugira bigororwe.

Ubwa kabiri : Ugusonera iteka rya zina muntu.

Turemeza icese ko umuntu wese avukana iteka ry'abantu. Ni co gituma ategerezwa gufatwa runtu no kwubahirizwa mu buzima bwiwe bwose. Vyongeye zina muntu afise ibanga ryo kugendera ubuntu no gusonera iteka ry'abandi.

Turemeje rero ko mu Burundi, iryo teka rifise Umurundi na zina muntu wese aba mu Burundi, akubahirizwa n'abantu bose n'amategeko y'igihugu, mu buzima bwiwe, mu biwe no mu vyiwe.

Uburundi ni igihugu c'Abarundi bose. Nta n'umwe arekuriwe kubwihariza, kubwonkorako abandi, kubakumira canke kubangaza.

... / ...

Umurundi wese arashobora kwishira no kwizana mu gihugu, kuja mw'idini, mw'ishirahamwe ashatse, akarangura amabanga yose ajanye n'idini canke ishirahamwe arimwo, yisunze amategeko y'igihugu.

Umurundi wese arashobora guserura ata nkomanzi ivyiyumviro vyiwe, haba mu kuvuga canke mu kwandika. Arashobora kandi kuronka no gutohoza amakuru n'ivyiyumviro ku biba mu gihugu no mu makungu. Ariko imvugo n'inzandiko zigisha amacakubiri, zankanisha Abarundi, zirahakanywe mu gihugu.

Umurundi wese arafise uburenganzira bwo kwiga n'ukuronka inyigisho zotuma agira ico yimarira mu buzima. Intwaro ifadikanije n'abanyagihugu bose, itegerezwa kwama iriko irarondera uburyo n'ukugene Abarundi bose bokwungura ubwenge, kugirango bashikire iterambere bipfuza, bongere bashobore kwubahiriza gusumba iteka ryabo.

Ubwa gatatu : Iterambere ry'igihugu.

Turemeza ko ubumwe ari ishingiro nyamukuru ry'amajambere, iterambere naryo rikaba inzira irashe yo gutsimbataza ubumwe mu gihugu. Ni co gituma kugirango dukomeze ubumwe, dutegerezwa kwijukira ibikorwa, vyo soko y'amajambere.

Umurundi wese rero abwirizwa gukora yivuye inyuma, kugirango aronke ikimutunga, n'igiteza imbere urugo rwiwe, n'igihugu camwibarutse.

Dusezeranye gutuza ingeso y'ubunebwe mu gihugu, kuko guterera ikivi abandi ari ukubarya imitsi, n'ugusubiza igihugu inyuma.

Turaneguye ata kurya umunwa kandi dusezeranye kurwanya akageso ko guhahamira amaronko no gusharikana, aho kwijukira ibikorwa, kugirango umuntu wese arye ivyo yabiriye akuya, ashimirwe ivyo yakoze.

... / ...

Akazi kose gateza imbere umuntu, gakwiye guhabwa iteka ; vyongeye umuntu wese arafise uburenganzira bwo gushinga umugambi umwega canke asangiye n'abandi, akawutunganya ata nkomanzi, mu gihe bidateye kubiri n'ineza y'igihugu.

Arashobora gutunga n'ugukoresha amatungo yiwe. Mugabo yokwama yitwararitse kazoza, akirinda gusesagura.

Intwaro itegerezwa gushira imbere no kwubahiriza ibikorwa, kugirango Abarundi bose bame bavyijukira ; ikama yitwararika na ntaryo kurongora abanyagihugu mu nzira y'amajambere nyakuri.

Ku rwego urwo ari rwo rwose, intwaro itegerezwa kwama yitwararika iterambere ry'Abarundi bose, b'imihingo yose iri mu gihugu.

Nta mugambi w'iterambere n'umwe woza urondera kuvangura canke kwigizayo Abarundi abo ari bo bose ushobora kwemerwa mu Burundi. Vyongeye intwaro itegerezwa gutunganya no kubungabunga itunga ry'igihugu ku buryo riteza imbere Abarundi bose.

Ubwa kane : Imico kama y'igihugu.

Uburundi burafise imico n'imigenzo kama iburanga, ishimikiye cane cane ku bushingantahe, ku buntu, ku mutima wo gufashanya, ukwubahana, n'ugukunda igihugu cacu.

Iyo mico n'iyo migenzo, ni vyo vyabaye ishingiro ry'Ubumwe bw'Abarundi. Turemeza ko n'ubu ako karanga kazodufasha mu gutsimbataza ubumwe. Dusezeranye rero kukabungabunga, tukagakomeza, tukakagendera, tukazokaraga Uburundi bw'ejo.

Dutegerezwa gushigikira ibikorwa vyose bikundisha kandi bikibutsa akaranga kama k'Uburundi n'Abarundi, tugatohoza ivyerekeye akahise k'igihugu, bikandikwa, bikamenyeshwa. Dupfunditse gushigikira ibikorwa biteza imbere ururimi rwacu n'imico kama y'igihugu, cane cane ibiza biremesha Ubumwe bw'Abarundi.

Dutegerezwa kurera abana bacu mu nzira y'ubumwe, turahakanye kandi turihanije kubigisha amazimwe n'amacakubiri ayo ari yo yose. Tuzokwama rero tubera akarorero keza abana bacu n'urwaruka rwose rw'i Burundi, mu mvugo no mu ngiro. Twiyemeje kurwanya ingeso mbi zifatiye ku macakubiri. Dusezeranye gukomeza imico n'inyifato bitsimbataza ubumwe mu Barundi.

DUSHINZE KO AYA MASEZERANO
ARI INDAHIRO NTARENGWA.

Aya masezerano, ni ay'Abarundi twese. Tuyapfunditse tuyazi neza ido n'ido. Tuyapfunditse ata gahato, tubitumwe n'ishaka ntangere dufise ry'ukwubaka Uburundi bushemeye, bwifashe, burangwamwo amahoro, ubumwe n'iterambere, igihugu c'iteka n'itekane, umuntu wese ashobora kubamwo ata nkomanzi, igihugu kizima, gifise izina n'ijambo mu makungu.

Aya masezerano ni ntabanduka. Ibirangurwa vyose mu Burundi bitegerezwa kwama biyisunga. Nta ntwaro, nta rwego, nta tegeko, nta ngingo n'imwe irekuriwe kuyahindura canke gutera kubiri nayo.

Aya masezerano ni indahiro ntarengwa. Abarundi twese tuyashingiye intahe kugirango dutsimbataze ubumwe bwacu. Twemeye icese kuzokwama tuyubaha, tuyubahiriza kandi tuyarwanira. Umurundi uwo ari we wese, yaba uwuriho canke uwuzovuka azoyarengako, turetse ko azohanwa n'amategeko, azoba ahemukiye Uburundi n'abarundi bose.

BISOMWE KANDI VYEMEJWE KW'IZINA
RY'ABARUNDI BOSE NA :

PETERO BUYOYA
UMUKURU W'IGIHUGU.-